www.assemblee.bi
www.flickr.com/inamanshingamateka

Facebook: Inama nshingamateka
twetter:@nshingamateka

N° 17 - Munyonyo 2017

# INAMA NSHINGAMATEKA Y'UBURUNDI

INAMA NSHINGAMATEKA

Gisohoka rimwe mu kwezi

REPUBULIKA Y'UBURUNDI

## UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA YIFADIKANIJE N'ABENEGIHUGU MU BIKORWA RUSANGI.





Umukuru w'Inama Nshingamateka yarifadikanije n'abenegihugu bo muri komine Gihanga mu guhimbaza umusi wahariwe igiti mu Burundi.

Soma kurupapuro rwa 7



Ihimbazwa ry'umunsi wahariwe igiti mu Burundi mu ntara ya Ruyigi

Soma kurupapuro rwa 10



Inama Nshingamateka yaremeje integuro y'Ibwirizwa igenga amafaranga Leta izokoresha mu mwaka wa 2018.

Soma kurupapuro rwa 13

Palais des Congrès de Kigobe
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07

# Abashingamateka b' ikiringo ca 2015 -2020



**Très Hon. Pascal Nyabenda**
**Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Bubanza-Hutu-CNDD-FDD**



**Hon. Agathon Rwasa**
**Icegera ca mbere c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ngozi- Hutu-MizeroY'Abarundi**



**Hon. Jocky Chantal Nkurunziza**
**Icegera ca kabiri c' Umukuru w' Inama Nshingamateka**
**Ruyigi-Tutsi-CNDD-FDD**



Hon. Gloriose AHISHAKIYE
Ngozi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Asha KHALFAN
Kayanza -Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon .Fabien BANCIRYANINO
Bubanza - Tutsi- Mizero y'Abarundi



Hon. Adolphe BANYIKWA
Bujumbura - Hutu- Mizero y'Abarundi



Hon. Chantal BARAMPAMA
Bujumbura - Tutsi CNDD-FDD



Hon. Josélyne BARANYANKA
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jacqueline BARANYIZIGIYE
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Evole P. BASHINGWA
Mairie - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Domitien BAVAKURE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Rémegie BAZIRAHOMPONYOYE
Muramvya - Hutu-CNDD-FDD



Hon. Ildephonse BIGIRINDAVYI
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD



Hon. Jérôme BIKORIMANA
Bururi-Hutu-CNDD-FDD



Hon. Simon BIZIMUNGU
Cibitoke - Hutu Mizero y'Abarundi



Hon. Pascal BIZUMUREMYI
Ruyigi - Hutu-Mizero y'Abarundi



Hon. Renate BUKURU
Ruyigi- Hutu-CNDD-FDD

*Ivyaranguwe n'Umukuru w'Inama Nshingamateka*

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yifadikanije n'abenegihugu mu bikorwa rusangi.



Ivyo bikorwa rusangi vyo kw'igenekerezo rya 23 kigarama Umwaka wa 2017, vyari vyerekeye kuvanga urucekeri n'isima bakoresha mu gusasa mu nzu nini abadandaza bo mw'isoko yo mu Rugunga Komine Gihanga Intara ya Bubanza bazodandarizamwo, ariko kandi baciye bubaka n'inkingi yo hasi. Ivyo rero ngo Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA yabikoze kugira ashikane ivyo yari yabemereye. Umukuru w'Inama Nshingamateka mu nama yari yagiranye n'abatanguje uwo mugambi wo kubaka iyo soko ya kijambere, yari yavuzeko azogaruka ataje kwifadikanya nabo mu bikorwa rusangi gusa ariko aje yitwaje n'agakemanyi ko gufasha abageze muza bukuru na ba ntahonikora. Abaronse iyo mfashanyo rero bakaba bagera ku miryango 500. Yaciye kandi anashimira abagwizatunga baciye bihutira gushira mungiro, ivyo babonye mu ntara ya Muyinga inyuma y'urugendo imvukira z'intara ya Bubanza bari bagize iyo ntara. Ati abagwizatunga ni bo nkingi y'iterambere. Arongera ati ngaha muriko mwubaka iyi soko bituma abafundi baronka akazi. Yaciye abwira abenegihugu ko kuba intsinga zitwara umuyagankuba zihari muri ako karere vyerekana ko bagiye kuronka umuyagankuba bidatevye. Hamwe rero iryo terambere ryoshika, ngo bazoce basezerera amaligala, urwaruka rushobora gushiraho amazu yo kwimwesherezamwo, ngo canke bashireho amahinguriro akora itomati.



Yaciye abasaba kuguma bagavye mu bihe birangiza umwaka. Ati ikomine yanyu ihana urubibe n'ishamba ryimeza rya Rukoko ari naho bihana urubibe na Republika iharanira Demokrasi ya Congo ku ruzi Rusizi, ati inkozi z'ikibi zishobora guca muri iyo nzira bakadurumbanya umutekano mu ntara ya Bubanza.

Ikindi Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yashimye nuko imirima isa neza ariko akagira umutima uhagaze kubera imvura ishobora guteba kugwa. Yaciye agabisha abenegihugu bakija muvy'abapfumu kugira baronke imvura. Ati imvura ntamuntu ayitanga, iva ku Mana. Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaciye atera akamo abenegihugu kwitabira ku bwinshi inama yo kubahimiriza ku bijanye no guhinyanyura ibwirizwa shingiro. Umukuru w'Inama Nshingamateka yaciye abamenyesha ko hari ingingo zimwe

zimwe z'Ibwirizwa shingiro zizohinduka kuko zitakijanye n'igihe. Kubijanye no guterera amatora yo muri 2020, Nyakubahwa Pascal NYABENDA yavuzeko ari agateka ku mwenegihugu ko kwitaba ako kamo. Ati ikiringo c'uko amatora akorwa kumafaranga atanzwe n'abafasha Uburundi cararangiye kuko babanza gutegeka umuntu ico akora n'ico adakora.

Ku bijanye n'umugambi wa microfinance, ibikorwa biriko bitera bija imbere. Ati inzu igeretse iriko irubakwa ku mugwa mukuru w'Intara kandi ko mu misi mike iyo microfinance izoba yatanguye gukora. Ati kandi iyo microfinance izoba ifise amashami muri ayo



masoko ya kijambere ariko yubakwa mu makomine yose y'intara ya Bubanza.
Inyuma yaho, Umukuru w'Inama Nshingamateka yaciye atanga imfashanyo ku bageze mu za bukuru naba ntaho nikora, imiryango igera ku ma 500 abipfuriza kandi noheli nziza n'umwaka mushasha mwiza.

**Florine MUKESHIMANA**

## Umukuru w'Inama Nshingamateka yarifadikanije n'abenegihugu bo muri komine Gihanga mu guhimbaza umusi wahariwe igiti mu Burundi.

Kw'igenekerezo rya 16 kigarama uko umwaka utashe, Uburundi burahimbaza umusi wahariwe igiti. Kuri iryo genekerezo rya 16 kigarama 2017,Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa



Pascal NYABENDA, yarifadikanije n'abenegihugu bo muri komine ya Gihanga mu ntara ya Bubanza, mu guhimbaza uwo musi mukuru. Bakaba bateye ibiti vy'imikaratusi mw'itongo ry'ikambi ya gisirikare ku Mudubugu riri ku musozi wa Rugunga.

Mw'ijambo ry'ikaze, umuhanuzi mukuru wa Bulamatari w'intara ya Bubanza, yamenyesheje ko intara ya Bubanza itekanye kandi ko abenegihugu bari ku kivi mu bikorwa bitandukanye vy'iterambere. Akaba yarakeje abenegihugu b'i Bubanza ku kukugene intara yabo yabaye iya mbere uyu mwaka mu kubungabunga ibidukikije. Akaba yabasavye kubandanya batera ibiti,vyaba ibiti vy'ivyamwa mu mihana iwabo canke ibiti vy'ishamba mu matongo iwabo, kugira ngo intara ya Bubanza igumane ico kibanza ca mbere.

Mw'ijambo yashikirije, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA, yabanje gukeza intara ya Bubanza kuri ico kibanza baronse ca mbere mu kubungabunga ibidukikije, nawe nyene akabahamagarira kugumana ico kibanza no mu yindi myaka. Ati ico kibanza mwakironse ahanini kubera uyu mwaka ata miriro ya nyakanga yiboneke je mu mashamba ya Kibira na Rukoko, niko guhamagarira abegereye ayo mashamba kuguma barikanuye ntihagire uwuzobaca muryahumye ngo ahaturire. Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yarahamagariye kandi abenegihugu b'i Bubanza gutera ibiti vyinshi, atari imikaratusi gusa kuko imikaratusi bisaba ko iterwa ku mitumba ihanamye kugira

ngo ntikwege amazi yose yo mu myonga. Yarahamagariye kandi abenegihugu b'i Gihanga bakunze guhura n'ingorane yo kubura imvura ko boja bararima ibiterwa birinda uruzuba.

Ku vyerekeye ivya politike bivugwa mu gihugu, Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yarahamagariye abenegihugu kwitaba inyigisho zatunganijwe na Leta zerekeye ihinyanyurwa ry'Ibwirizwa shingiro. Ati ivyo guhinyanyura Ibwirizwa Shingiro biraba abarundi bonyene, nta munyamahanga numwe ashobora kuza kuduha amategeko ku kungene tubitunganya kuko natwe ntitubinjirira mw'itunganya ry'ibihugu vyabo. Yarongeye amenyesha ko ingingo zahinyanyuwe ari izitakijanye n'ibihe, hakaba hafatiwe na cane cane ku vyagiye birashikirizwa mu biganiro bihuza abarundi.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yarahamagariye kandi abenegihugu b'i Bubanza kwitaba akamo ka Leta ko guterera amatora yo mu mwaka w'i 2020. Ati si ikori muzoba mutanze kandi si ku gahato, ariko ni akigoro kasabwe na Leta ku benegihugu biyumvamwo kandi bakunda igihugu cabo. Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yarongeye ati no ku mitumba iwacu iyo umuntu ariko yitegurira urubanza, arasaba intererano, ivyo vyamye biri mu mico y'abarundi, ati rero ubu Leta niyo ifise urubanza bisaba ko abenegihugu batanga intererano. Ati ivyabaye mu mwaka w'i 2015 vyatubereye icigwa, ati ubu harageze ko abarundi twebwe nyene twitunganiriza amatora meza tutabanje kurindira intererano ziva hanze.



Kuri uwo musi nyene mu gitondo, Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yari yazindukiye muri komine ya Mpanda, aho yifadikanije n'abenegihugu mu bikorwa rusangi vyo kwubaka inyubakwa zizokoreramwo ibitaro vy'i Murengeza. Ivyo bitaro bikaba arivy'umugwizatunga yikorera utwiwe.

Nyakwubahwa Pascal NYABENDA akaba yarashimiye abenegihugu kubona baje ari benshi gushigikira ico gikorwa batarinze kuraba ko ari ibitaro vy'uwikorera utwiwe. Akaba yaciye asaba abaganga bazokora muri ivyo bitaro bazoze barakira neza abarwayi nayo ku barongoye ivyo bitaro ko borihisha amafaranga make atavuna abenegihugu.

Naho nyene, ijambo rikaba ryabaye rya rindi; gusaba abenegihugu kwitaba inyigisho zerekeye ihinyanyurwa ry'Ibwirizwa Shingiro hamwe no guterera amatora yo mu 2020.

Nyakwubahwa Pascal NYABENDA akaba yasavye urwaruka kuja barafasha abavyeyi babo mu mirima ha kwirigwa ku ma ligala. Akaba kandi yarasavye abenegihugu kugabanya imvyaro hamwe no kwitaho isuku cane cane mu miserege yo ku mabarabara kuko ngo vuba umuyagankuba urabashwaramwo i Murengeza.

**Arlette AKIMANA**

## Umukuru w'Inama Nshingamateka yaritavye Inama igira 8 y'Ihuriro y'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'Ibihugu bigize Ibiyaga binini CIRGL.

Abashingamateka n'Abakenguzamateka barongowe n'Umukuru w'Inama Nshingamateka baritavye kw'igenekerezo rya 06 kigarama umwaka wa 2017 ibirori vyo kwugurura icese Inama isanzwe igira 8 y'Ihuriro y'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka y'ibihugu bigize akarere k'ibiyaga binini. Ivyo birori vyari vyatewe iteka n'Umukuru w'igihugu ca Centrafrique Faustin Archange TOUADERA. Mw'ijambo ry'ikaze, Umukuru w'Inama Nshingamateka ya Centrafrique Abdou Karim MECKASSOUA yavuzeko bataje kugira bige ibibazo bibahanze vyonyene ko ahubwo bashaka no gutsimbataza imigenderanire hagati y'ibihugu bigize uwo muryango.

Muri iyo nama isanzwe igira 8, Abashingamateka n'Abakenguzamateka bayitavye bigiye hamwe ibiraba politike, umutekano n'imibano mu karere k'ibiyaga binini. Umukuru w'Inama Nshingamateka ya Centrafrique ati: « ndemeza neza ko twebwe Abashingamateka n'Abakenguzamateka duserukira abenegihugu dutegerezwa gukora uko



dushoboye kugira dutsimbataze amahoro n'umutekano mu bihugu vyacu no kuri benewacu. Yaranavuze kandi ko bategerezwa kurwanya ibiturire bongere bubahirize amatungo ya Leta.

Muri ivyo birori vyo kwugurura iyo nama nyene, Umukuru w'igihugu ca Centrafrique Faustin Archange TOUADERA yamenyeshejeko bagiye kwaka ibigwanisho abatabifitiye uruhusha bongere batsimbataze amahoro n'umutekano. Ati ibizova muri iyo nama bizotuma haba ukwishira n'ukwizana kw'abenegihugu mu karere k'ibiyaga binini. Umunyamabanga wa CIRGL ikiringo ciwe cariko kirarangirana n'ukwezi kwa kigarama yarababwiye ivyo bamaze gushikako mu myaka itandatu iheze ari muburongozi bw'urwo rwego. Yavuze kandi ko ibijanye na politike n'umutekano mu Burundi bitera bija imbere kandi ko bategerezwa gukurikiranira hafi ibiganiro bibera i Arusha mu gihugu ca Tanzaniya.
Muvyo bize rero muri iyo nama igira 8 y'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka vyo mu bihugu vy'ibiyaga binini harimwo kurabira hamwe uko ivya politike vyifashe mu Burundi. Nyakwubahwa Pascal NYABENDA Umukuru w'Inama Nshingamateka ari nawe yagiye arongoye intumwa zavuye mu Burundi yaciye abanza kubabaza igituma biga ibijanye n'Uburundi kandi Uburundi bwarasavye ko haza intumwa za CIRGL ziza mu Burundi kwirabira uko ibintu vyifashe ariko bakaba bataje. Umunyamabanga mukuru wa CIRGL akaba yavuzeko iryo shirahamwe



ritashoboye kurungika intumwa zaryo mu Burundi kuko bari bafise ingorane z'uburyo.

Ikindi kwari ukurabira hamwe ko intererano zatanzwe n'ibihugu vyose. Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yaciye amenyesha ko Uburundi bwamaze gutanga intererano zabwo mbere bikaba vyaremejwe n'Umunyamabanga Mukuru wa CIRGL. Ikindi kandi cihwejwe muri iyo nama igira 8 y'Ihuriro y'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka y'ibihugu bigize CIRGL kwari ugusubiriza Umunyamabanga Mukuru w'iryo huriro kuko ikiringo ciwe cariko kirarangira. Ibihugu bitatu nivyo vyariko birahiganigwa ico kibanza harimwo Uburundi, Ubugande hamwe na Republika ya Centrafrique.

Kubera vyasaba ko igihugu cose gitanga batatu kandi Uburundi bwari bwatanze umwe wenyene ahiganirwa ico kibanza, Uburundi bwaciye busokora. Ivyo bihugu bibiri vyasigaye ntivyashoboye kwumvikana ku woshirwa imbere ngo aje muri ico kibanza. Kubera ivyo rero, amatora yaciye yungururizwa ku kindi kiringo.

Mu gusozera iyo nama, Abashingamateka n'Abakenguzamateka barafashe ingingo. Baremeranije ko amahoro n'umutekano mu Burundi bikwiye baniyemeza gushigikira ibiganiro bihuza abarundi. Baciye baboneraho n'akaryo ko gutera akamo ibihugu vyahaye indaro impunzi z'abarundi kuborohereza kugira batahe ivyo rero ngo baze babikorane na Leta y'Uburundi.

**Florine MUKESHIMANA**

# Icegera ca Kabiri c'Umukuru w' Inama Nshingamateka yarahaye umubonano intumwa z'ibiro vy'Ishirahamwe ry'Ibihugu vya Afrika y'Ubuseruko, EAC.

Kw'igenekerezo rya 6 Kigarama 2017, Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA, yarahaye umubonano intumwa zo mu biro vy'Ishirahamwe ry'ibihugu vy'akarere ka Afrika y'Ubuseruko, bari baje barongowe n'Umunyamabanga Mukuru w'iryo shirahamwe Libérat MPFUMUKEKO. Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA akaba yabahaye uwo mubonano ari kumwe n'abashingamateka barongoye imigwi yamaho mu Nama Nshingamateka.



Nk'uko vyamenyeshejwe n'Umunyamabanga Mukuru w'Ishirahamwe ry'Ibihugu vya Afrika y'Ubuseruko Libérat MPFUMUKEKO, ngo izo ntumwa zari zije gusaba ko ibwirizwa rigenga ivyo gusuzuma ibifungurwa bihinguye hamwe n'imiti ryonyaruka gutorwa, iryo naryo rikaba ryari risanzwe ryarashikanywe mu Nama Nshingamateka kugira Abashingamateka baryige bongere baryemeze.

Iryo bwirizwa rikaba rije gukingira abenegihugu ku bijanye n'imiti hamwe n'ibifungurwa bihinguye bidakwije amategeko canke vyataye igihe, ibindi bihugu vyo mu karere ka Afrika y'Ubuseruko bikaba bimaze gushiraho amategeko abigenga, hakaba hari hasigaye Uburundi. Izo ntumwa zikaba kandi zasavye ko hojaho urwego rw'igihugu rujejwe kugenzura imiti hamwe n'ibifungurwa bihinguye. Umuhinga yari yaje avuye mu bushikiranganji bw'amagara y'abantu akaba yamenyesheje ko Uburundi bukiri inyuma, ngo harakenewe nk'akarorero ko hojaho igisata kijejwe kugenzura aho imiti ihingurirwa, ingene igeragezwa ubwa mbere hamwe no kugenzura ibijanye n'ihayanishwa ry'imiti hamwe n'ibifungurwa bihinguye. Nayo uwujejwe ivy'amagara y'abantu mu biro vy'Ishirahamwe ry'Ibihugu bihurikiye mu karere ka Afrika y'Ubuseruko, yasavye ko hoba ingendo-shure mu bindi bihugu vya Afrika y'Ubuseruko ku bashingamateka b'abarundi bari mu migwi yamaho ijejwe ivy'amagara y'abantu n'isuku kugira birabire ingene bitunganijwe muri ivyo bihugu.

Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka, yarashimiye izo ntumwa zaje kwereka Inama Nshingamateka y'Uburundi akamaro ko gutora iryo bwirizwa, hamwe no kuba baje kubwira Abashingamateka ingene vyifashe mu bindi bihugu vyo mu karere. Akaba yaciye abamenyesha ko ivyo izo ntumwa zasavye Inama Nshingamateka izobikorerako mu kwemeza iyo nteguro y'ibwirizwa.

**Arlette AKIMANA**

# Ukurwanya amabi aturutse kw'itabi ni igikorwa kiraje ishinga abatowe n'abenegihugu.

Guhanahana ivyiyumviro ku mabi aturutse kw'itabi, n'ico amategeko abivugako muri Afrika na cane cane mu Burundi nivyo vyari vyakoranije ba nyakwubahwa Abashingamateka bari mu mugwi wamaho mu nama Nshingamateka ujejwe ivy'imibano, gutahukana impunzi, kunganisha ibitsina n'ukurwanya ikiza ruhonyanganda SIDA.

Hari kw'igenekerezo rya 5 kigarama 2017; ivyo bikaba vyateguwe n'abari mw'ishirahamwe ryitaho amagara y'abantu (HHNB) mu mpfunyapfunyo y'icongereza, babicishije mu mugambi wabo wo guhindura amagara y'abenegihugu.

Uburyo rero bagira bw'ukumenyekanisha itabi, bwaraciwe hirya no hino kugira ba nyakwubahwa Abashingamateka baronke ingene baterera ivyiyumviro vyabo mu gihe bariko bariga itegeko rijanye n'itabi. Iryo tegeko rikaba ryariko ririgwa muri uwo mugwi.

Mw'ijambo ryiwe ryo kwugurura

ivyo biganiro, CIZA Roger ari nawe aserukira iryo shirahamwe, yamenyesheje ko ataco bashobora gushikako badashigikiwe n' Abashingamateka, bo basanzwe batora amategeko. Ari naco catumye babatumira muri ivyo bikorwa vyo guhanahana ivyiyumviro.

Mw'ijambo yashikirije Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yaribukije abari ngaho ko Uburundi bumaze gukora ibitari bike kugira bushire mu ngiro imigambi y'ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe ivy'amagara y'abantu OMS yo kurwanya itabi yemejwe mu nama ya bose igira 56 yerekeye ivy'amagara yabantu yabaye muri 2003. Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yavuze ko hashizweho ibwirizwa ryo kurwanya itabi, harashirwaho n'amategeko abuza abantu kunywera itabi ahari abantu benshi, zateguwe na Leta zo kwerekana amabi aterwa n'itabi.

Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yavuze ko mu gihe ata mategeko ahari, amahinguriro atari make aca yikinga mu kiza kugira ahingure, adandaze yongere ateze imbere itabi , ryica abarinwa n'abatarinywa tutibagiye imbanyi zikoroka kubera itabi.



Ati itabi mu Burundi riranyobwa kandi ingene riguma ritera imbere ntivyumvikana na gatoya.

Yavuze ko abavyeyi n'abagenzi kenshi bagira uruhara runini kugira urwaruka runywe itabi. Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yipfuje ko, mugihe umugwi w'abantu urinywa rwose ari urwaruka; n'inguvu nyinshi mu gutanga inyigisho zitegerezwa kugirwa kuri uwo mugwi. Yarerekanye ko Leta, Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka, abenegihugu n'amashirahamwe adaharanira inyungu za politike, izo nzego zitegerezwa gufata iya mbere mu kumenyesha abenegihugu amabi aterwa n'itabi.

Umukuru w'umugwi ujejwe kwiga iryo tegeko, BANYIKWA Adolphe, akaba yaheraheje iyo nama avuga ko bagiye kubaza igituma ingingo 60 zari zateguwe n'abo barongoye iryo shirahamwe zose zitashizwe mu nteguro y'ibwirizwa bobo bariko bariga. Avuga ko baronse iririmwo ingingo 30 gusa.

**Pétronie BUCUMI**

# Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yarahimbarije mu ntara ya Ruyigi umunsi wahariwe igiti mu Burundi.

Mu ntara ya Ruyigi ihimbazwa ry'umunsi mukuru wahariwe igiti mu Burundi mu mwaka w'2017 mu ntara ya Ruyigi wahimbarijwe muri komine ya Nyabitsinda kw'igenekerezo rya 16 kigarama 2017 ku civugo *«Dukingire amashamba tubungabunge amasoko ntanganguvu.»* Ivyo birori bikaba vyatewe iteka n' Abashingamateka n'Abakenguzamateka batowe mu ntara ya Ruyigi. Aho twovuga nk'Icegera ca Kabiri c'Umukuru



w'Inama Nshingamateka, Umushingamateka Jocky Chantal

NKURUNZIZA. Abenegihugu bakaba bari bitavye ivyo bikorwa vyari vyerekeye gutera imivyaro y'imikaratusi ishika ibihumbi cumi (10000) ku musozi wa Munyinya muri komine Nyabitsinda.Iyo mivyaro y'ibiti ikaba yateguwe n'abenegihugu bari mu ma shirahamwe atandukanye.
Mu majambo yavugiwe ngaho, abenegihugu barahamagariwe kuzitaba inyigisho zo guhinyanyura ibwirizwa Shingiro.

Umwunganirizi w'umushikiranganji w'ibidukikije, NDARUFATIYE Théophile yarashimiye cane abajejwe intwaro ko bahimirije abenegihugu bimwe biboneka imiriro ya nyakanga ikagabanuka uyo mwaka.

Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka mw'ijambo ryiwe yahamagariye abenegihugu ko bobumbatira amahoro n'umutekano vyo soko y'iterambere rirama.
Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yahamagariye abenegihugu bari aho, kuja mu mashirahamwe kugira biteze imbere. Yabibukije kandi, imfashanyo amashirahamwe abiri yafashe iya mbere muri ivyo



nk'abarundi bakunda igihugu cabibarutse , ko boterera amatora yo muri 2020. Kuvyerekeye Inda z'ibitwarire ku bigeme bakiri bato, Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yasavye abavyeyi kurushirizaho gutanga indero nziza ku bana babo ; akaba kandi yabateye intege ko bobandanya amashure gushika baronse urupapuro rw'umutsindo.

Inyuma yivyo bikorwa rusangi Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yarahaye bikorwa vyo kugwiza imivyaro. Yarahaye kandi abageze mu zabukuru bo muri ako gace infungurwa zigizwe n'umuceri.

**Pétronie BUCUMI**

## Imana Nshingamateka yaremeje integuro y'ibwirizwa risubiramwo amategeko agenga amasoko ya Leta.

Ikigega gifasha amakomine FONIC mu mpfunyapfunyo y'igifaransa hamwe n'amakomine birahushanye. Amakomine niyo afasha FONIC kandi vyari bizwi ko ari FONIC ifasha amakomine. Ivyo biri mu vyemejwe mu nama ya bose yo kw'igenekerezo rya mbere nzero aho ba nyakwubahwa Abashingamateka bari baramutse bihweza kandi bemeza integuro y'ibwirizwa risubiramwo amategeko agenga amasoko ya Leta, rikaba ryaremejwe ijana kw'ijana.
Ukugabanya ugukwega amaguru n'ukuntu amasoko ya Leta akurikiranwa ; ukurandurana n'imizi ibiturire; ugushinga amategeko mpuzamakungu ashobora kworohereza abazana imitahe bafasha mw'iterambere, nivyo vyongewe muri iyo nteguro y'ibwirizwa nk'uko vyashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Leta NDIHOKUBWAYO Domitien imbere yuko yerekana ingene itegeko ryari rihasanzwe ryo ku wa 04 Myandagaro 2008 ryatayе igihe.
Akaba yishimikije ingingo igira 203 akarongo kagira 3 kavuga ko abahiganirwa amasoko ya Leta, bava mu turere Uburundi bufitaniye amasezerano baca bafatwa nk'abarundi. Abashingamateka bakaba baragize amakenga ko ivyo bitazotuma abagwizatunga b'abarundi bashobora kuzobura amahirwe yo gutsindira ayo masoko kubera basanzwe bafise uburyo buke ugereranije n'abandi bagwizatunga bo mu karere.

Umushikiranganji NDIHOKUBWAYO Domitien akaba yarabahumurije avuga ko abasangiye akarere bose bafatwa nk'abenegihugu b'igihugu kimwe, na cane cane ko twimirije kuronka isoko rusangi y'akarere ka Afrika y'ubuseruko EAC.

Nayo ku vyerekeye ko abagwizatunga b'abarundi bashobora kubura isoko , umushikiranganji yabahumurije avuga ko abarundi ari abantu bazi kurondera, ko bitobabuza kuja

mw'ihiganwa n'abandi bagwizatunga.

Babonye isoko idakwiye, umushikiranganji yababwiye ko abagwizatunga b'abarundi nabo bazoza baraja guhiganirwa amasoko mu bindi bihugu vy'akarere, ati ni magiriranire.

Abashingamateka barashikirije ingorane zikunda gushika mu gutanga amasoko, bagakoresha aka mwana wa mama, ivyo navyo bikagira ingaruka ku vyo bakora usanga bitameze neza.



Iyo ntumwa ya Leta ikaba yarahumurije abashingamateka. Yavuze ko bakurikirana bakaraba ko uburyo bwakoreshejwe buba bujanye n'ivyo babashikirije.

Yaciye avuga kandi ko mu gihe bigenze nabi, haba habaye ugusamara ntibakurikiranire hafi ibiriko birarangurwa. Ikibazo cerekeye za miliyoni majana atanu(500.000.000) zihabwa amakomine nico ahanini cavuzwe cane na ba nyakwubahwa abashingamateka; bavuze ko amahera atari make kenshi asubira inyuma kubera ko FONIC yama ikwega amaguru. Bati none FONIC ikora iki ?

Bati yoba ari yo ijejwe kuja irafuta imigambi ikomine iba yashinze ? Bati mbega FONIC yoba iri hejuru y'abatowe bari mu nama mpanuzwajambo ya komine?. Ivyo ni ibibazo bagumye babaza ba nyakwubahwa abashingamateka. Intumwa ya Leta ikaba yarishuye mu majamabo make ivyo bibazo, ati FONIC ico ijejwe ni ukwunganira amakomine mu buhinga mu mugambi baba bafashe. Iyo nyishu y'Umushikirnganji NDIHOKUBWAYO Domitien ikaba itandukanye gose n'ivyo abashingamateka babonye mu gihe bari batunganije ingendo mu makomine.

Ari naco catumye baca bavuga ko ibikowa vya FONIC n'amakomine binyuranye.

Ba nyakwubahwa abashingamateka bakaba bavuze ko ivyo kubungabunga ubutunzi bwa komine ko ari igikorwa c'amakomine atari ivya FONIC. Bati ni nayo mpamvu ama facture arihwa atevye ivyo navyo bigacabituma ibikorwa bitarangurwa ku mwanya wategekanijwe.

Bakaba barumvikanye ko bazotunganya kandi ingendo muri FONIC.

**Pétronie BUCUMI**

# Inama Nshingamateka yaremeje integuro y'ibwirizwa ijanye no gutsimbataza hamwe no gukingira amategeko y'abagendana ubumuga mu Burundi.

Ku munsi wa kane igenekerezo rya 14 Kigarama 2017, Umushikiranganji ajejwe agateka ka zina muntu, imibano n'iterambere ridakumira yarishikiye mu ngoro y'amakoraniro mu Kigobe kugirango ashikirize integuro y'ibwirizwa rijanye no gutsimbataza hamwe no gukingira amategeko y'abagendana ubumuga mu Burundi. Mu mvo n'imvano umushikiranganji Martin NIVYABANDI yamenyesheje ko muri rusansuma y'abenegihugu yagizwe



mu mwaka w'2008 basanze ibice 4,5% vy'abenegihugu bigizwe n'abagendana ubumuga bukomeye. Yamenyesheje ko bibabaje kubona

batagira ibiharuro bishasha bijanye n'abo bagendana ubumuga.
Umurwi wamaho ujejwe imibano, iterambere ridakumira, guhungura impunzi, n'ukurwanya ikiza Sida wari wize iyo nteguro y'ibwirizwa wabanje guhinyanyura ijambo ry'umutwe wiyo nteguro y'ibwirizwa. Nkuko Leta yari yayirungitse bari bayise uku gukurikira : «Integuro y'ibwirizwa rijanye nishingwa ry'amabwirizwaagenga abagendana ubumuga hamwe nuko abagendana ubumuga bokwigenza mu Burundi », umurwi ukaba wahinyanyuye ijambo ry'umutwe uku gukurikira: «Integuro y'ibwirizwa rijanye no gutsimbataza no gukingira agateka k'abagendana ubumuga mu Burundi». Kwari kugira bisunge ivyari vyanditswe mw'itegeko. Nkuko vyashikirijwe n'umwe mu bashingamateka, ngo hambavu y'ivyo Leta ishikiriza, ngo mu vyigwa vyagizwe n'ishirahamwe mpuzamakungu OMS mu 2011, haboneka ko abagendana ubumuga mu Burundi boba bashika hafi y'umuliyoni n'ibihumbi amajana abiri na mirongo ibiri na batanu (1.225.000) ku barundi bangana n'imiliyoni umunani n'ibihumbi amajana atanu bikaba ari ibice 15 kw'ijana. Bati kubera iki Leta itishimikiza ico giharuro kugira ifashe ico gice c'abenegihugu? Bati Ibwirizwa Nshingiro ryemera n'imiburiburi ibice 30% vy'abakenyezi mu Nama Nshingamateka hamwe n'abatwa batorwamo bamwe bamwe nkuko yabisiguye. Ati Uburundi nibwo bwonyene budatora muri uwo



muce w'abagendana ubumuga abarungikwa mu muryango wa afrika y'ubuseruko .
Nkuko Umushikiranganji Martin NIVYABANDI yabivuze ati s'ubwinshi bw'abantu burabwa. Ati naho hoba umuntu umwe arafise uburenganzira bwo gukurikiranwa. Nubwo ari uko aremera akamaro ko kugira ibiharuro bizwi kuko birafasha mu gutegura imigambi. Yamenyesheje ko Leta iriko irategura rusansuma rw'abagendana ubumuga bose mu Burundi iyo rusansuma ikazotuma bashobora gutunganya imigambi. Yaremeye ko hari imiryango imwe imwe inyegeza abana bagendana ubumuga. Kera ngo kuvyara umwana agendana ubumuga ngo vyaba ari nk'ivumwe. Akavuga ko bisabwa ko hategekanwa inyigisho zigacishwa mu masengero kugira bigishe abenegihugu. Yarashikirije ko hari n'abandi bavukana ubumuga bushobora kurwanywa aha twobabwira nk'urucanco rw'ubukangwe.

Ikijanye n'uguserukirwa kw'abagendana ubumuga kikaba carafashe umwanya utari muto abashingamateka. Nyakwubahwa umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yarabatatuye mu kumenyesha ko abagendana ubumuga bari mu bandi barundi ati rero abenegihugu bose ntibikunda ko boca baja bose mu Nama Nshingamateka, ati aha nokwibutsa ivyasabwa n'abaganwa igihe basaba ko nabo boshirwa mu Nama Nshingamateka.

Martin NIVYABANDI arasaba intererano y'amashengero kugira bagarukire abagendana ubumuga babicishije mu mashule yegukira amashengero. Leta kandi ngo ntifise abakozi bakwiye bafise ubuhinga bukwiye bwo kwigisha abagendana ubumuga. Bamaze kurica irya n'ino, iyo nteguro y'Ibwirizwa ikaba yaciye yemezwa ijana kw'ijana.

**Florine MUKESHIMANA**

## Inama Nshingamateka yaremeje integuro y'Ibwirizwa rigenga amafaranga Leta izokoresha mu mwaka wa 2018.

Ku wa gatatu igenekerezo rya 13 kigarama umwaka w'2017, Inama Nshingamateka yarihweje yongera iremeza ijana kw'ijana integuro y'ibwirizwa rigenga amafaranga Leta izokoresha mu mwaka w'i 2018.
Muri bikuru vyavuzwe n'Umushikiranganji w'Ikigega ca Leta hamwe no gushira mu minwe yabikorera utwabo amashirahamwe

ya Leta, harimwo gushiraho ikigega c'urwaruka ku mafaranga agera ku muliyaridi kizofasha mu kuronsa urwaruka ingurane mu gihe bafise imigambi, ugutanga umutahe urenga imiliyaridi zitatu mw'ibanki AFRI-EXIM hamwe n'izindi miliyaridi cumi na zibiri n'igice zitegekanywa gukoreshwa mu matora yo mu mwaka wa 2020.

Domitien NDIHOKUBWAYO yamenyesheje kandi ko amafaranga Leta izokoresha mu 2018 yavuye ku miliyaridi zirenga gato igihumbi n'ijana na mirongo itanu na zibiri 1152 mu mwaka wa 2017 aja ku miliyaridi zirenga gato igihumbi n'amajana abiri na mirongo ibiri na zine 1224 mu mwaka wa 2018. N'ukuvuga ko amafaranga yaduze ibice 6.2 kw'ijana mugihe igihengeri naco gishika ku miliyoni 164 mu mwaka wa 2018 mu gihe mu mwaka wa 2017 igihengeri cari imiliyaridi 174 nukuvugako hagabanutse imiliyaridi 10.

Umugwi wamaho mu Nama Nshingamateka muvyo ujejwe harimwo ivy'ubutunzi ariwo waciye irya n'ino iyo nteguro y'ibwirizwa warabajije ibijanye n''imiliyoni 900 zagenewe kuja mu mugambi wo kunganisha imishahara, ayo mafaranga akaba akurikiranwa n' abashikiranganji bw'Ikigega ca Leta. Uwo mugwi waciye uboneraho n'akaryo ko kubaza ibisata bizoronka ayo mafaranga yo kunganisha imishahara.

Iyo ntumwa ya Leta yishuye ko ibisata vyegwa niyo ngingo ari ibisata vya Leta bimwe bimwe aho usanga umushahara w'abakozi bamwe bamwe uri musi y'umushahara umwigisha aronka kandi arirwo rugero bafatiyeko mu nteguro yo kunganisha imishahara. Ivyo vyose rero yamenyesheje ko bazobikora bisunze impamyabushobozi bafise hamwe n'uburambe bwo mu kazi. Mu guheraheza yabwiye Abashingamateka ko umugwi washizweho ngo ukurikirane ikibazo co kunganisha imishahara ukaba ugenzurwa n' Umugwi w'igihugu ujejwe ibiganiro vyo mu kazi ugeze ku ntambwe ishimishije mbere ngo uri mu gusohora itegeko ryerekana ido n'ido ry'uko bizokorwa.

yabandanije abasigurira ko iyo ntererano atari ngombwa bose batange kuko harimwo ba ntahonikora. Ati iryo tegeko ryasohowe mu ntumbero yo gutomora neza uko ayo mafaranga azokwegeranywa, ati turizeyeko muri 2020 amafaranga



Abashingamateka bamwe barabajije kandi ibijanye n'intererano y'abenegihugu mu matora yo muri 2020. Kuribo, ngo Leta ifise imvugo zibiri. Umwanya umwe ngo ivugako guterera ata gahato karimwo uwundi mwanya naho Leta iciye ku bashikiranganji bayo babiri ngo yarasohoye ingingo yerekana uko abenegihugu bazoterera. Kubwobo rero ngo ntibizokworohera umwenegihugu asanzwe ata mikoro afise. Ngo uretse n'ivyo kandi, ngo si Leta yategerezwa gufata ingingo nkizo ahubwo ngo n'Inama Nshingamateka yategerezwa kuzifata nkuko biri mu ngingo y'159 umurongo wa 5.

Iyo ntererano ntaho isa isana n'itagisi canke ikori, niko Umushikiranganji w'ikigega ca leta yaciye abisigura, ati kw'isi yose Ibwirizwa Shingiro ryama rihamagarira abenegihugu kwitanga ku nyungu z'igihugu. Domitien NDIHOKUBWAYO

azokoreshwa mu matora azoba yamaze kwegeranywa.

Abashingamateka basubiye kubaza Umushikiranganji w'ikigega ca Leta ko ari umwaka wa gatatu Leta ivugako hazoba gutubika uwa vubi, ati none mwebwe mwibazako bizohera ryari ? Bati ,mbega hamwe n'amafaranga ava mu butare yojamwo tuzovuga ko abarundi bategerezwa gutubika uwa vubi mu mafaranga Leta izokoresha?. Kubw'Umushikiranganji w'ikigega ca leta, ico kuvuga gutubika uwa vubi n'ibindi bihugu vyitwako ari rutura birabikoresha, akaba yatanze akarorero k'Ubudagi hamwe na Leta zunze Ubumwe za Amerika. Ati, Uburundi ahubwo bwaratevye gutangura iyo ntumbero. Ati ivyo bikoreshwa bivanye n'intumbero buri gihugu cihaye , yaciye rero asaba nuko atabohava bakoresha imvugo ndenzarugero bivanye n'iryo jambo ryo gutubika uwa vubi. Kubwiwe rero ngo gutubika uwa vubi ntibisigurako ubuzima

bw'igihugu buba buhagaze. Ati ntanico bibuza Leta kwitanga uko ishoboye mu gihe hadutse ikiza canke gutegekanya inyubakwa za leta. Kubijanye n'igisata co gucukura ubutare, yavuzeko bazoca basubiramwo ibwirizwa rigenga amafaranga leta izokoresha mugihe amafaranga azoba yamaze kuboneka.
Abashingamateka baradomyeko urutoke Ubushikiranganji bw'ikigega ca leta ko ari intambamyi mu gutanga akazi ku bakozi bashasha ba leta. Mu nsiguro yatanze agirako yerekana n'uturorero, Umushikiranganji Domitien NDIHOKUBWAYO yavuzeko amadosiye nk'ayo ategerezwa kwigwa imwe kurimwe. Ati hari ubushikiranganji iyo hagiye umukozi muto yahembwa make bakamusubiriza n'umukozi mukuru ahembwa menshi, ati ahandi naho bagatanga akazi ku bakozi bashasha, ntibaheze batange dosiye zabo canke mbere ntibanamenyeshe Ubushikiranganji bw'ikigega ca Leta, Ati mu bisanzwe mu gusubiriza abakozi baba bapfuye, abatanze imihoho canke abakukurutse ntibisaba kurinda guca murubwo bushikiranganji kuko imishahara iba isanzwe yarategekenijwe.

**Florine MUKESHIMANA**

# Impinyanyuro n'iyemezwa ry'Integuro y'ibwirizwa N°2000001940 rigenga amasezerano yo gufashanya hagati ya Republika y'Uburundi n'Ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe iterambere ry'uburimyi, FIDA mu ncamake, mu mugambi wo guteza imbere igisata c'uburimyi hagati mu gihugu, PAIFAR-B mu ncamake, yashiriweko igikumu i Roma kuwa 3 Gitugutu 2017.

Gutsimbataza ubushobozi bw'amashirahamwe yo kuziganya no kuguranana ku benegihugu batobato bo mu gihugu hagati, iyo niyo ntumbero y'ingabire y'amafaranga yababa



imiriyoni mirongo ibiri na zitanu z'amadorari y'Abanyamerika, ni ukuvuga hafi imiriyaridi mirong'ine na zine z'amafaranga y'amarundi ishirahamwe FIDA ryahaye Uburundi. Ivyo bikaba vyamenyeshejwe, kw'igenekerezo rya 21 Kigarama 2017, n'Umushikiranganji w'Uburimyi n'Ubworozi.
Déo-Guide RUREMA yariko arasigura mu nama ya bose integuro y'Ibwirizwa N°2000001940 rigenga amasezerano yo gufashanya hagati ya Republika y'Uburundi n'Ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe iterambere ry'uburimyi, FIDA mu ncamake, mu mugambi wo guteza imbere igisata c'uburimyi hagati mu gihugu, yateweko igikumu i Roma kuwa 3 Gitugutu 2017, iyo nteguro y'ibwirizwa, mu mpera n'imperuka, ikaba yemejwe ijana kw'ijana. Yabandanije ashikiriza yuko, mu ntango, uyo mugambi uzokorera mu ntara za Bubanza, Cibitoke, Gitega, Karusi, Kayanza na Muramvya, izi ntara nazo zikaba zari zisanzwe zikorerwamwo iyindi migambi ifashwa n'ishirahamwe FIDA. Yamara, Umushikiranganji w'Uburimyi n'Ubworozi, yizera ko n'izindi ntara zizoshikirwa. Ico cizere gifatiye ku ngingo zibiri. Ubwa mbereho, mu Burundi niho uyo mugambi utanguriye. Ikindi naco, uyo mugambi uzohera inyuma y'imyaka 7 ayo masezerano agiye mu ngiro. Bihweza ingene uburyo bwakwiragijwe mu bisata bitandukanye, Abashingamateka bagize umugwi wamaho ujejwe Indero, Urwaruka, Inkino n'Ukwidagadura, Imico kama no Kumenyesha amakuru bize ivyo umwihariko iyo nteguro y'ibwirizwa, barabonye ko hari agahaze. Mu vyo ukuri, amafaranga ahariwe ibikoresho, guhemba abahinga n'imishahara, ntaco asa asana n'uburyo bwashizwe mu gisata co gutanga ingurane. Ari nako guca basaba ko ahubwo amafaranga yoja mu gisata co gutanga ingurane yokwongerezwa, hakagabanywa ariho uburyo buhabwa ibindi bisata. Intumwa ya Leta nayo nyene yarabonye ako kanenge. Nawe nyene yipfuza ko uyo mugambi woza wungukira abenegihugu, ari naco gituma ariko araganira n'abo bafasha kugira uburyo bwinshi buzoje muri ico gisata gitanga ingurane.

**Christine NAHIMANA**

# Ijambo Umukuru w'Inama Nshingamateka yashikirije mugihe hasozerwa ibikorwa vy'isasa risanzwe rya gitugutu.

*Kw'izina ry'Inama Nshingamateka no kw'izina ryanje nyene, mudukundire ndabahe ikaze muri ino ngoro y'amakoraniro yo mu Kigobe. Turabashimiye ivyo umwihariko kubona mwitabiriye bino birori, naho musanzwe mufatiriwe na vyinshi, na cane cane muri kino kiringo gisozera umwaka.*

*Mu vy'ukuri, haraheze amezi atatu hari ibikorwa vy'urutavanako, uno munsi rero tukaba dusozera icese ikiringo c'ibikorwa vy'Abashingamateka gisanzwe co muri Gitugutu 2017.*

*Tuboneyeho akanya ko gukeza Abashingamateka kuko baranguranye ubwira imirimo isanzwe ari iyacu, aha twovuga kwemeza amabwirizwa, kugenzura ibikorwa vya Leta no guserukira abenegihugu. Umwitwarariko wabo watumye umwimbu uba mwiza muri kino kiringo.*

*Muri kino kiringo gisanzwe c'ibikorwa vy'Abashingamateko co muri Gitugutu 2017, integuro z'amabwirizwa zikurikira zarahinyanyuwe zongera ziremezwa :*

*1) Integuro y'Ibwirizwa rijanye no gushira igikumu ku masezerano yabereye i Paris yerekeye ihindagurika ry'ikirere ;*

*2) Integuro y'Ibwirizwa rijanye no guhinyanyura igitabu mpanavyaha ;*

*3) Integuro y'ibwirizwa rijanye n'uguhinyanyura itegeko ryerekeye amabohero ;*

*4) Integuro y'ibwirizwa ryerekeye umudandaza atashoboye kuriha amadeni ;*

*5) Integuro y'ibwirizwa rihinyanyura Ibwirizwa n°1/01 ryo kuwa 4 Ruhuhuma 2008 ryerekeye itegeko ryo gutanga amasoko ya Leta ;*

*6) Integuro y'ibwirizwa rishinga Uburyo Leta izokoresha mu mwaka w'2018 ;*

*7) Integuro y'ibwirizwa rishinga amategeko agenga abagendana ubumuga mu Burundi ;*



*8) Integuro y'ibwirizwa N° D225-BI rigenga amasezerano yo gufashanya hagati ya Repuburika y'Uburundi n'Ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe Iterambere, FDA mu ncamake, mu mugambi wo kugwiza akazi mu gihugu, PDLE mu ncamake, yashiriweko igikumu i Bujumbura kuwa 29 Nyakanga 2017 ;*

*9) Integuro y'ibwirizwa N°2000001940 rigenga amasezerano yo gufashanya hagati ya Repuburika y'Uburundi n'Ishirahamwe mpuzamakungu rijejwe iterambere ry'uburimyi, FIDA mu ncamake, mu mugambi wo guteza imbere igisata c'uburimyi hagati mu gihugu, PAIFAR-B mu ncamake, yashiriweko igikumu i Roma kuwa 3 Gitugutu 2017 ;*

*10) Integuro y'ibwirizwa rijanye no guhinyanyura Ibwirizwa n°1/03 ryo kuwa 24 Nzero 2013 ryerekeye gusubiramwo Ibwirizwa n°1/18 ryo kuwa 25 Nyakanga 2007 ryerekeye ishingwa ry'Inama y'igihugu ijejwe kugenzura ibinyamakuru, ariyo CNC mu mfunyafunyo.*

*11. Vyongeye, Inama Nshingamateka yarahinyanyuye yongera iremeza, isubiyemwo ubugira kabiri, Integuro y'ibwirizwa ishinga Urwego rw'igihugu rujejwe gukinga no kurandurana n'imizi ihonyabwoko, amabi yo mu ndwano n'ubwicanyi bw'agahomerabunwa, hiyongerako impinyanyuro z'ayandi mabwirizwa zashikirijwe n'Inama Nkenguzamateka.*

*Ku bijanye no gucungera ibikorwa vya leta, ivyegera bibiri vy'umukuru w'igihugu barashikirije imbere y'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka bakoranye ku ma genekerezo ya 04 na 05 gitugutu 2017 kugira bashikirize ivyaranguwe na Leta mu kiringo c'amezi atandatu c'Umwaka wa 2017.*

*Ku biraba urwego rumwe rumwe, Umushikiranganji w'iterambere ry'amakomine hamwe n'uwuburimyi n'ubworozi barishuye ibibazo vyari vyashikirijwe n'Abashingamateka mu nama ya bose.*

*Nayo uwujejwe sentare yubahiriza amatungo ya leta yarashikirije Inama Nshingamateka raporo ku bijanye n'amafaranga leta izokoresha mu mwaka w'2018.*

Muvyo guserukira abenegihugu, abagize umugwi wamaho mu nama Nshingamateka baragize ingendo hagati mu gihugu aha twovuga umurwi wamaho ujejwe uburimyi ubworozi, ibidukikije n'iterambere barashoboye kwegeranya ivyiyumviro bitandukanye kubafasha mu gisata c'ubworozi mu Burundi ku nteguro y'ibwirizwa ijanye no kugumiza ibitungwa mu ruhongore hamwe n'ibuzwa ryiyerera ry'ibitungwa vyo mu ngo mu Burundi.



Mu bijanye no gukarisha ubwenge inyigisho kubijanye nivyo gutegura amategeko zaratunganijwe kuva ku magenekerezo ya 10 gushika kuri 23 gitugutu 2017 i Gitega ni Bujumbura hatanzwe uburyo bw'ubufatanye n'igihugu c'ubuswisi.

Ku vyerekeye imigenderanire, abagize ibiro vy'Inama Nshingamateka barahaye imibonano abantu batandukanye baba ari ababa mu Burundi canke bavuye mu mahanga bongera baragira ingendo z'akazi mu makungu.

Aho twarakiriye Nyakubahwa Laurent DELAHOUSE, aserukira igihugu c'Ubufaransa mu Burundi mu ntumbero yo gutegura urugendo rwo kumenya no kubonana n'intumwa z'Inama Nshingamateka z'ibihugu bivuga i gifaransa zari zirongowe n'Umushingamateka Jacques CHAGNON akaba ariwe arongoye Inama Nshingamateka y'ibihugu bivuga ururimi rw'igifaransa akaba arongoye kandi Inama Nshingamteka ya Québec, yagize mu gihugu cacu ku magenekerezo ya 20 na 21 Munyonyo 2017 kugira birabire uko ibijanye n'umutekano na politike vyifashe muri kino gihe.

Twarakiriye kandi intumwa zigizwe n'abagize Inama nkuru yo kumenyesha amakuru mu ntumbero yo guhimbaza indwi yahariwe gutunganya ibimenyeshamakuru mu Burundi aho yari ikwije imyaka 25 hashinzwe Inama nkuru y'igihugu yo kumenyesha amakuru hamwe n'imyaka 10 inyuma yishingwaho ry'itegeko rijejwe ivyo kumenyesha amakuru.

Icegera ca kabiri c'umukuru w'Inama Nshingamateka Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yarakiriye yongera aragiriranira umubonano n'umugwi ujejwe ibikorwa mu buserukizi bw'Umunyamabanga Mukuru w'Akarere k'Afrika y'Ubuseruko (EAC) ukaba wari urongowe n'umunyamabanga mukuru wawo umushingantahe Libérat MPFUMUKEKO. Uwo murwi wari uje gusaba ko honyarutswa iyemezwa ry'integuro y'ibwirizwa rigenga uko hotunganywa ibijanye n'imitin'ibifungurwa mu Burundi.

Uwo mubonano wakurikiwe n'urugendo Abashingamateka n'umukozi w'Inama Nshingamateka bagize kugira barahure ubwenge mu kigo kijejwe itunganywa no gucunga ibijanye n'imiti n'imfungurwa co muri Tanzaniya urwo rugendo rukaba rwagizwe ku magenekerezo ya 20 gushika kuwa 23 i Dar es Salam.

Ku bijanye n'ingendo zagizwe mu mahanga, abagize ibiro vy'Inama Nshingamateka, abashingamateka n'abakozi baraserukiye Inama Nshingamateka mu makoraniro mpuzamakungu, n'amanama n'amahuriro akurikira :

Inama igira iya 137 y'amanama mpuzabashingamateka yabereye i Saint-Pétersbourg mu Burusiya yabaye kuva ku magenekerezo ya 14 gushika 18 Gitugutu umwaka w'2017 tukaba ari twebwe nyene twari turongoye intumwa zari zaserukiye Uburundi.

Inama igira iya 71 ya komite mpuzamakungu hamwe n'inama igira iya 40 y'abakuru ba manama Nshingamteka na Nkenguzamateka b'ibihugu bigize inama mpuzabashingamateka na Nkenguzamateka ya afrika (UPA) zabereye i Ouagadougou muri Burkinafaso kuva ku magenekerezo ya 6 gushika kuri 10 Munyonyo 2017 ; abari baserukiye Uburundi bakaba bari barongowe n'Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka ; hamwe n'inama isanzwe ya bose igira 8 y'urunani rw'amanama Nshingamateka y'ibihugu bigize inama mpuzamakungu mu karere k'ibiyaga binini (FP-CIRGL) yabereye i Bangui muri Repubilika ya Centrafrika kw'igenekerezo rya 5 gushika ku 7 Kigarama 2017 naho nyene akaba ari twebwe nyene twari turongoye intumwa zari zitavye iyo nama.

Banyakubahwa Abashingamateka baritavye inkino zahuza amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka zo Mukarere k'Afrika y'Ubuseruko zabereye i Dar es Salam muri Tanzaniya ku magenekerezo ya 1 gushika kurya 10 Kigarama 2017.

Muri iki kiringo turangije c'isasa ry'ukwezi kwa gitugutu 2017, Inama Nshingamateka yaratunganijje, kuwa 14 Munyonyo

2017, umusi wahariwe amasengesho ku civugo « Ni tube ihinduka tugomba kubona. »

Muri iki kiringo kirangiye, Inama Nshingamateka yarifadikanije kandi n'izindi nzego z'igihugu hamwe n'abenegihugu bo mu ntara ya Gitega, kw'igenekerezo rya 12 kigarama uyu mwaka nyene, muri komine Bugendana, mu birori vyo gutanguza icese isekeza ryo



kwigisha ivyerekeye guhinyayura ibwirizwa shingiro ry'Uburundi. Inama Nshingamateka ikaba ihamagarira umugwi CENI gukora wivuye inyuma mu gutegura neza ico gikorwa kizoza gishira mu ngiro ivyasabwe n'abenegihugu mu biganiro bihuza abarundi.

Inama nshingamateka ikaba ishigikiye Leta y'Uburundi mw'isekeza yatanguye ryo kwigisha abenegihugu ibijanye n'ihinyanyurwa ry'ibwirizwa shingiro ry'Uburundi, igahamagarira abashingamateka kwitaba iryo sekeza.

Muri iki kiringo kirangiye, Abashingamateka bararanguye kandi igikorwa co gutora abakomiseri batatu b'umugwi wo kumenya ukuri no kurekuriranira CVR, bakaba baje gusubirira abandi batatu batari bakiri muri ayo mabanga.

Inama Nshingamateka ikaba yongeye kwemeza ko ishigikiye umugwi CVR mu mabanga ushinzwe yo kumenyekanisha umuco ku vyagiye biraba muri kahise k'igihugu hamwe no kunywanisha abarundi.

Inama Nshingamateka irateye intege Leta y'Uburundi mu bwigoro igira bwo gutsimbataza amahoro n'umutekano mu gihugu cose, cane cane muri iyi misi irangiza umwaka, kugira ngo abenegihugu babashe kuyihimbaza ataco binona.

Ku nzego zijejwe umutekano, Inama Nshingamateka irashimiye izo nzego ku gikorwa barangura ku musi ku musi ikabasaba ko boguma barikanuye nk'uko bamye, kugira bame bari inkinzo ku mitego y'abansi ba demokarasi, b'ukwikukira kw'Uburundi hamwe n'ubwigenge bwaco.

Inama Nshingamateka iheruka gutora ibwirizwa rigenga amafaranga Leta izokoresha mu mwaka w'i 2018, bikaba bisaba n'ubu gutubika uwa vubi. Ikaba iboneyeho n'akaryo ko gukeza Leta y'Uburundi ku ntambwe igezeko mu kurwanya forode ; ivyo bigatuma ubutunzi bw'igihugu bwiyongera.

Inama Nshingamateka ikaba iteye akamo abenegihugu bose kugira uruhara mu gukoresha neza ubutunzi bwa Leta. Inzego zose z'igihugu zikaba zihamagariwe kuzokoresha uburyo zizohabwa na Leta mu bikenewe gusa.

Banyakwubahwa Abashingamateka, mugiye gutangura uburuhuko bwo mu kwezi kwa nzero 2018. Tubasavye guhimiriza abenegihugu mu bijanye no kubungabunga amahoro n'umutekano, mu kurwanya ubukene hamwe no ku kamaro k'ibikorwa vy'iterambere mu ngo no mu kibano.

Muri iyo ntumbero nyene, turasavye Abashingamateka kwumvisha abenegihugu ko bahamagariwe kugwiza umwimbu muri kino gihe imvura iriko iragwa neza.

Tuboneyeho n'akaryo ko kubipfuriza kugira imisi mikuru myiza irangiza umwaka hamwe n'uburuhuko bwiza bwo mu kwezi kwa nzero 2018.

Mudukundire kandi dusubire dushimire bimwe bivuye ku mutima abakorana n'Inama Nshingamateka. Turabipfurije, kw'izina ry'Inama Nshingamateka hamwe no kw'izina ryacu nyene, umwaka mwiza w'i 2018.

Uyu mwaka uzobabere umwaka w'amagara meza, w'amahoro, w'umunezero hamwe no gutera imbere mu mirayango yanyu itandukanye, ku mitumba iwanyu, mu ma komine no mu ntara iwanyu hamwe no mu bihugu bitandukanye.

Ni kuri ico cipfuzo dusozereyeko ibikorwa vy'isasa risanzwe ry'Abashingamateka ryo mu kwezi kwa gitugutu 2017.

Tukaba tubashimiye.

**Christine NAHIMANA**


# INAMA NSHINGAMATEKA

**UMUKURU W' IYANDIKIRO**
**Providence NIKIZA**

**ABANDITSI**
**Florine MUKESHIMANA**
**Arlette AKIMANA**
**Pétronie BUCUMI**
**J Baptiste Claude NIJIMBERE**
**Christine NAHIMANA**

**AMASANAMU**
**Richard NDAYISENGA**
**J Baptiste Claude NIJIMBERE**



**Palais des Congrès de Kigobe**
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07